PROJET DE LOI PORTANT STATUT DU PERSONNEL D'APPUI DE LA POLICE NATIONALE DU BURUNDI

INTEGURO Y'IBWIRIZWA RISHINGA AMATEGEKO AGENGA ABAKOZI BAFASHA MU GIPORISI C'UBURUNDI

EXPOSE DES MOTIFS

INTUMBERO Y'INTEGURO Y'IRI BWIRIZWA

I. CONTEXTE ET JUSTIFICATION

La Police Nationale du Burundi est un corps conçu et organisé conformément à la Constitution. Elle est composée d'Officiers, de Brigadiers, des Agents, des Aumôniers et du Personnel d'Appui.

Depuis la création de la Police Nationale du Burundi en 2004, le personnel de la PNB était régi par la loi n°1/06 du 2 mars 2006 portant Statut du Personnel de la PNB. Cependant en 2010, le personnel policier a été doté de statuts propres respectivement la loi n°1/18 du 31 décembre 2010 portant statut des Officiers de la PNB, la loi n°1/17 du 31 décembre 2010 portant statut des brigadiers et la loi n°1/16 du 31 décembre 2010 portant modification du Statut des Agents de la Police Nationale du Burundi, tandis que le personnel d'appui est resté régi par le statut de 2006.

En 2015, il a été mis en place un décret n°100/127 du 23 avril 2015 portant mesures d'application de la loi n°1/06 du 2 mars 2006 portant Statut du Personnel de la PNB en ce qui concerne le personnel d'appui. C'est ce décret toujours en vigueur qui régit ce personnel d'appui actuellement.

I. IBITUMYE IRI BWIRIZWA RITEGURWA

Igiporisi c'Uburundi ni urwego rwashinzwe kandi rutunganijwe hisunzwe Ibwirizwa Shingiro. Kigizwe n'Abaporisi b'intwazangabo, Ababirigadiye, Abaporisi batoyi, abibutsamana n'abakozi bafasha.

Kuva Igiporisi c'Uburundi gishinzwe mu 2004, abakozi bo mu Giporisi c'Uburundi bagengwa n'Ibwirizwa inomero 1/06 ryo ku wa 2 Ntwarante 2006 rishinga amategeko agenga abakozi bo mu Giporisi c'Uburundi. Ariko mu 2010, abakozi bo mu Giporisi basanzwe ari Abaporisi barahawe amategeko yabo abagenga hakurikijwe imigwi barimwo : Ibwirizwa inomero 1/18 ryo ku wa 31 Kigarama 2010 rishinga amategeko agenga Abaporisi b'Intwazangabo, Ibwirizwa inomero 1/17 ryo ku wa 31 Kigarama 2010 rishinga amategeko agenga Ababirigadiye b'Igiporisi n'Ibwirizwa inomero 1/16 ryo ku wa 31 Kigarama 2010 rihindura amategeko agenga Abaporisi batoyi, mu gihe abakozi bafasha mu bagumye bagengwa n'amategeko agenga abakozi bo mu Giporisi c'Uburundi yo mu 2006.

Mu 2015, harashizweho Itegeko inomero 100/127 ryo ku wa 23 Ndamukiza 2015 ryerekeye ingingo zishira mu ngiro Ibwirizwa inomero 1/06 ryo ku wa 2 Ntwarante 2006 rishinga amategeko agenga abakozi bo mu Giporisi c'Uburundi ku vyerekeye abakozi bafasha. Ni iryo tegeko nyene ryari rihasanzwe rikigenga abakozi bafasha.

La promulgation de la loi organique n°1/27 du 9 décembre 2021 portant modification de la loi organique n°1/03 du 20 février 2017 portant Mission, Composition, Organisation et Fonctionnement de la Police Nationale du Burundi a fait que le décret n°100/127 du 23 avril 2015 portant mesures d'application de la loi n°1/06 du 2 mars 2006 portant Statut du Personnel de la PNB en ce qui concerne le personnel d'appui soit en contradiction avec cette loi. En effet, l'article 387 de cette loi prévoit un certain nombre de textes d'application notamment les Statuts du personnel de la Police Nationale du Burundi.

Kuva aho ibwirizwa ryunganira ibwirizwa shingiro inomero 1/27 ryo ku wa 9 Kigarama risubiramwo ibwirizwa ryunganira ibwirizwa Shingiro inomero 1/03 ryo ku wa 20 ruhuhuma umwaka w'2017 ryerekeye imirimo y'Igiporisi c'Uburundi, abakigize, ingene gitunganijwe n'ingene gikora ritereweko igikumu, itegeko inomero 100/127 ryo ku wa 23 ndamukiza umwaka w'2015 ryerekeye ingingo zishira mu ngiro Ibwirizwa inomero 1/06 ryo ku wa 2 Ntwarante 2006 rishinga amategeko agenga abakozi bo mu Giporisi c'Uburundi ku vyerekeye abakozi bafasha ryaciye rimera nk'iritaye igihe. Nkako mu ngingo y'387 hategekanijwe ko hazojaho amabwirizwa agenga abakozi mu rwego rwa Gipolisi ashira mu ngiro iryo bwirizwa ryunganira iBwirizwa Shingiro

Les statuts du personnel des corps de défense et de sécurité sont des matières qui relèvent du domaine de la loi conformément à la constitution du 7 juin 2018 en son article 164 point 3° huitième tiret.

Ibigenga abakozi bo mu nzego zo kwivuna abansi n'umutekano biri mu bitunganywa n'amabwirizwa nk'uko ibwirizwa Shingiro ryo ku wa 7 Ruheshi umwaka w'2018 mu ngingo yaryo ya 164 agace ka gatatu ku murongo w'umunani.

Le préset projet de loi intervient d'une part dans le cadre de la mise en application de la loi organique n°1/27 du 09 décembre 2021 portant modification de la loi organique n°1/03 du 20 février 2017 en son article 387

Iyi nteguro y'iri bwirizwa ije kugira ishire mu ngiro ingingo ya 387 y'Ibwirizwa ryunganira Ibwirizwa Shingiro inomero 1/27 ryo ku wa 9 Kigarama 2021 risubiramwo Ibwirizwa ryunganira Ibwirizwa Shingiro inomero 1/03 ryo ku wa 20 ruhuhuma umwaka w'2017.

D'autre part, ce projet intervient respecter la constitution qui met les statuts du personnel des corps de défense et de sécurité dans les matières qui relèvent du domaine de la loi et non d'un texte réglementaire.

Iyo nteguro ije kandi kugira hubahirizwe ibwirizwa Shingiro kugira amategeko agenga abakorera mu Gipolisi c'Uburundi atunganywe hakurikijwe amabwirizwa, aho gutunganywa hisunzwe itegeko ry'Umukuru w'Igihugu nk'uko vyahora.

Au niveau du contenu, ce projet de loi s'inspire largement du décret n°100/127 du 23 avril 2015 portant mesure d'application de la loi n°1/06 du 2 mars 2006 portant statut du personnel de la Police Nationale du Burundi en ce qui concerne le personnel d'appui.

Turavye ido n'ido ry'ibiri muri iyi nteguro y'Ibwirizwa, dusanga twisunze ahanini ivyari bisanzwe biri mw'itegeko ry'Umukuru w'Igihugu inomero 100/127 ryo ku wa 23 Ndamukiza 2015 rishinga ingingo zishira mu ngiro Ibwirizwa inomero 1/06 ryo ku wa 2 Ntwarante 2006 rishinga amategeko agenga abakozi bo mu Giporisi c'Uburundi ku vyerekeye abakozi bafasha.

II. STRUCTURE DU PROJET DE LOI

Le projet de loi est structuré en dix chapitres à savoir :

Chapitre I : Des dispositions générales (articles 1 et 2)

Chapitre II : Du recrutement (articles 3 à 6)

Chapitre III : Des catégories et des grades (articles 7 et 8)

Chapitre IV : De la notation et de l'avancement (article 9 à 15)

Chapitre V : Des droits et des obligations (article 16 à 34)

Chapitre VI : Du régime disciplinaire (article 35 à 41)

Chapitre VII : De la procédure disciplinaire (articles 42 à 50)

CHAPITRE VIII : Des positions statutaires (articles 51 à 63)

Chapitre IX : Des dispositions particulières et finales (articles 64 à 67).

III. LES PRINCIPALES INNOVATIONS

Au niveau des avantages sociaux, l'article 22 prévoit qu'en cas de décès d'un membre du personnel d'appui en activité, ses ayant

II. INGENE IYI NTEGURO Y'IBWIRIZWA ITUNGANIJWE

Iyi nteguro y'ibwirizwa igizwe n'ibigabane icumi ari vyo vy'ibi:

Ikigabane ca mbere : Ingingo ngenderwako (kuva ku ngingo ya 1 gushika ku ya 2)

Igice ca kabiri: Ivyerekeye ukwinjiza mu kazi abakozi bafasha (kuva ku nngingo ya 3 gushika ku ya 6)

Ikigabane ca gatatu : Ivyerekeye imigwi y'abakozi n'amapete (ingingo ya 7 n'iya 8)

Ikigabane ca kane : Ivyerekeye uguhabwa amanota n'ukuduzwa mu kazi (ingingo ziva ku ya 9 gushika ku ya 15)

Ikigabane ca gatanu: Ivyo umukozi afasha mu Giporisi afitiye uburenganzira n'ivyo ategerejwe (ingingo ziva ku ya 16 gushika ku ya 34)

Ikigabane ca gatandatu: Ivyerekeye amategeko agenga inyifato mu kazi (ingingo ziva ku ya 35 gushika ku ya 41)

Ikigabane c'indwi : Ingene amakosa ajanye n'inyifato mu kazi ahanwa (ingingo ziva ku ya 42 gushika ku ya 50)

Ikigabane c'umunani : Ibijanye n'uko abakozi bafasha bafatwa mu bijanye n'ukuba canke ukutaba mu kazi hisunzwe amategeko abagenga (ingingo ziva ku ya 51 gushika ku ya 63)

Ikigabane c'icenda : Ingingo zidasanzwe n'izisozera (ingingo ziva ku ya 64 gushika ku ya 67)

III. IBISHASHA BIKURUBIKURU

Ku vyerekeye uturusho tujanye n'ivy'imibano, ingingo ya 22 itegekanya ko mu gihe umukozi afasha apfuye akiri mu kazi, abafise uburenganzira

droits perçoivent, en plus du salaire du mois en cours, une allocation de décès équivalente à douze mois de salaire brut.

ku matungo yiwe baronswa umushahara w'ukwo kwezi yapfiriyemwo bakongera bakaronswa amafaranga angana n'umushahara w'amezi cumi n'abiri ata kivuyeko.

L'article 23 quant à lui accorde une allocation de fin de carrière équivalant à quatre mois de salaire brut à tout membre du personnel d'appui ayant atteint l'âge limite de la retraite.

Ingingo ya 23 na yo itegekanya amafaranga atekererwa abakukurutse angana n'umushahara w'amezi ane ata kivuyeko ahabwa umukozi wese afasha mu Giporisi c'Uburundi yashikanye imyaka yo gukukuruka.

Dans le chapitre VI sur le régime disciplinaire, les articles 40 et 41 énumèrent les faits qui constituent des fautes disciplinaires dont certaines peuvent entrainer la révocation.

Mu gice ca VI ku bijanye n'amategeko agenga inyifato, ingingo ya 40 n'iya 41 ziradondagura ibifatwa nk'amakosa ajanye n'inyifato mu kazi, amwamwe agashobora gutuma umukozi yirukanwa mu kazi.

Au chapitre VIII sur les positions statutaires, l'article 55 prescrit qu'un membre du personnel d'appui de la Police Nationale acquitté et qui n'a pas été révoqué ou dont le contrat n'a pas été résilié perçoit, après réintégration administrative, son traitement plein et est régularisé pour toute la durée de la procédure judiciaire.

Mu kigabane ca VIII ku bijanye n'uko abakozi bafasha bafatwa mu bijanye n'ukuba canke ukutaba mu kazi hisunzwe amategeko abagenga, ingingo ya 55 itegekanya ko umukozi afasha mu Giporisi c'Uburundi yambitswe izera kandi akaba atirukanywe mu kazi canke amasezerano yagiraniye n'Igiporisi c'Uburundi atafuswe amaze gusubizwa mu kazi, ahabwa umushahara wiwe ukwiye kandi agasubizwa amafaranga yose atahembwe mu kiringo cose yariko arakurikiranwa n'ubutungane.

En outre, l'article 56 dispose qu'un membre du personnel d'appui de la Police Nationale révoqué, démissionnaire ou dont le contrat a été résilié ne peut plus réintégrer le corps de la Police Nationale du Burundi.

Vyongeye, ingingo ya 56 itegekanya ko umukozi afasha mu Giporisi c'Uburundi yirukanywe mu kazi, yatanze imihoho canke uwo amasezerano yagiraniye n'Igiporisi yafuswe adashobora gusubira gukorera mu Giporisi c'Uburundi.